# Umuriro udahera wakikujwe n'ibikundwa n'abantu mu bisayangana vy'isi; Ubwami bw'ijuru na bwo bwakikujwe n'ibidakundwa n'abantu mu vy'isi

Mu vyakiriwe na Abu Hurayra (Imana Allah Imwishimire), yavuze ko Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'imana Allah), yavuze iti: "Umuriro udahera wakikujwe n'ibikundwa n'abantu mu bisayangana vy'isi; Ubwami bw'ijuru na bwo bwakikujwe n'ibidakundwa n'abantu mu vy'isi".

Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), arerekana neza na neza, ko umuriro udahera ukikujwe n'ibintu umuntu akunda akavyipfuza mu guhurumbira gukora ibizira canke mu kudebukirwa gukora ibisabwa; uwuramutse rero atwawe n'ivyipfuzo vy'umutima wiwe, aba ahisemwo umuriro udahera. Arasigura n'uko Ubwami bw'ijuru bukikujwe n'ibintu umuntu adakunda; nko kwubaha akubahiriza amabwirizwa, maze akirinda gukora ibizira, akihanganira kudatwarwa n'ivyipfuzo vyiwe. Iyo rero akoze ibisabwa maze akihangana mu kutavogera ibizira, aba ahisemwo kwinjira mu Bwami bw'ijuru.



النجاة الخيرية
ALNAJAT CHARITY
لجنة الدعوة الإلكترونية
EDC E-Da'wah Committee